www.kidworship.kr

# Ubwato bwa Nowa


- 4th Story -



23Page


| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Imyaka irahera inyuma ya Adamu na Eva abantu bararondo-ka kw'isi baragwira. Ariko ububisha bwabo kw'isi butera Imana kubabara. |
| Imana | Isi yuzuye ububisha n'ikibi. Ndicuza ico naremeye umuntu kw'isi. Nzobasiribanganya bose ntihagire n'uwuzigera kubaho kw'isi. |
| Uwuvuga | Ariko hariho umuntu yari atunganye kw'isi yitwa Nowa. Nowa yakunda bagenziwe agakunda n'Imana. Igihe cose ya-gendera muri yo. Imana iramugomwa. |
| Imana | Nowa, ngiye kugomora umwuzure kw'isi nkureho ikiremwa cose ariko zoshiraho isezerano ryanje nawe n'uruvyaro rwawe. Nzohangaza umuryango wawe hamwe na bibiri mu binyabugingo buri bwoko bwose ikigabo n'ik igore. Ni uko niwubake ubwato hejuru ku musozi. |
| Uwuvuga | Nk'uko Nowa yagororokera Imana, atangura kubaza ubwato bunini hejuru ku musozi ahatagira amazi. Ariko abantu bakamutwenga. |
| Umugabo | Huh...ubu hoho Nowa yasaze...ariko yubaka ubwato hejuru ku musozi ahatagira amazi! |
| Umugore | Hohoho biragaragara ko yasaze....avuga ko umwuzure ugira udutere kandi ikirere gisa neza? Yasaze ni ukuri~!" |

.........................................................................................................



24Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Nowa abaza ubwato bunini cane nk'uko Uhoraho yari yabi-mutegetse akanabimugenekerereza ko ibikoko bibiri ikiga-bo n'ikigore caco, mu bwoko bwose azokwinjirana navyo. |
| Imana | Mu misi indwi iza ngiye kwugwisha imvura kw'isi imisi mirongo ine n'amajoro mirongine ubudasiba. |
| Uwuvuga | Nuko wa musi urashika, Nowa yinjirana n'ibikoko bibiri bibiri – inzovu, intambwe, intwiga, inyoni zo mu kirere-ubwato bwuzura ibikoko, ariko abantu bari Nowa n'umugo-re wiwe hamwe n'abahungu babo batatu Shemu, Hamu na Yafeti n´abagore babo bonyene( bose hamwe bari umunani) ni bo binjiye mu bwato. |



25Page

Uwuvuga Umuryango w’ubwato wugawe, imvura itangura guseseka ivuye mu kirere. Vyari nk’uko ijuru ryatobotse. Imvura ishishikara kugwa ijoro n’umurango. Amazi araduga yuzura isi yose,arengera ibintu vyose kiretse ubwato Nowa n´umuryango hamwe n´ibikoko barimwo.



26Page

Uwuvuga Imvura iraca ku musi ugira mirongo ine. Isi yose yari yarengewe n’amazi- ntakintu na kimwe cari kigifise ubuzima. Ariko Nowa, umuryango wiwe n’ibikoko vyari mu bwato impore. Umusi umwe Nowa arekura inuma kugira ngo arabe ko yoronka aho igwa ariko inuma ntiyashobora kuronka aho igwa igaruka kuri Nowa mu bwato. Inyuma y´imisi indwi, Nowa arasubira arekura ya numa, ariko muri ico gihe izanana ibabi rishasha ry’umwerayo mu kanwa. Nowa amenya ko isi iriko irakamuka.



27Page

Uwuvuga Imisi 370 irahera amazi atarakamuka neza ku rusi. Imana ibarira Nowa.

Imana Ni musohoke mu bwato mwe n’umuryango wawe, Nowa.

Uwuvuga Nuko Nowa n’ab´iwe basohoka ubwato. N’ibikoko navyo bisokana nabo. Nowa yubakira igicaniro Uhoraho amwosereza n’ibimazi vy’ishimwe.

Imana Ndirahiye sinzokwongera kuvuma isi nk’uku ubundi.

Uwuvuga Imana ishiraho umunywamazi wayo mu bicu nk’icemezo c’uko itazokwongera guhanisha amazi isi.